REPUBLIQUE DU BURUNDI

CABINET DU PRESIDENT

**LOI N°1/ 08 DU 14 MARS 2022 PORTANT STATUT DU PERSONNEL D'APPUI DE LA POLICE NATIONALE DU BURUNDI**

---

**LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

Vu la Constitution de la République du Burundi ;

Vu la Loi Organique n°1/27 du 9 décembre 2021 portant Modification de la Loi Organique n°1/03 du 20 février 2017 portant Missions, Organisation, Composition et Fonctionnement de la Police Nationale du Burundi ;

Vu la Loi n°1/011 du 29 novembre 2002 portant Réorganisation des Régimes des Pensions et des Risques Professionnels en faveur des Travailleurs régis par le Code du Travail et assimilés ;

Vu la Loi n°1/28 du 23 août 2006 portant Statut Général des Fonctionnaires ;

Vu la Loi n° 1/27 du 29 décembre 2017 portant Révision du Code Pénal ;

Vu la Loi n° 1/09 du 11 mai 2018 portant Modification du Code de Procédure Pénale ;

Vu la Loi n° 1/12 du 12 mai 2020 portant Code de la Protection Sociale au Burundi ;

REPUBURIKA Y'UBURUNDI

IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

**IBWIRIZWA INOMERO 1/ 08 RYO KU WA 14 NTWARANTE 2022 RISHINGA AMATEGEKO AGENGA ABAKOZI BAFASHA MU GIPORISI C'UBURUNDI**

---

**UMUKURU W'IGIHUGU,**

Yihweje Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi ;

Yihweje Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero1/27 ryo ku wa 9 Kigarama 2021 risubiramwo Ibwirizwa ryunganira Ibwiriza Shingiro inomero 1/03 ryo ku wa 20 Ruhuhuma 2017 ryerekeye imirimo y'Igiporisi, ingene gitunganijwe, abakigize n'ingene gikora ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/011 ryo ku wa 29 Munyonyo 2002 riringaniza ukundi ibisata vy'ugutegekaniriza amapansiyo abakozi hamwe n'ivy'ukubateganiriza impanuka zituruka ku kazi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/28 ryo ku wa 23 Myandagaro 2006 rishinga amategeko agenga abakozi ba Reta ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/27 ryo ku wa 29 Kigarama 2017 risubiramwo Igitabu c'amategeko mpanavyaha ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/09 ryo ku wa 11 Rusama 2018 rihindura Igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/12 ryo ku wa 12 Rusama 2020 ryerekeye Igitabu c'amategeko agenga ugukingira n'ugutegekaniriza kazoza abakozi ;

Vu la Loi n°1/11 du 24 novembre 2020 portant Révision du Décret-loi n°1/037 du 7 juillet 1993 portant Révision du Code du Travail du Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/11 ryo kuwa 24 Munyonyo 2020 risubiramwo Itegeko-bwirizwa inomero 1/037 ryo ku wa 7 Mukakaro 1993 risubiramwo Igitabu c'amategeko agenga akazi mu Burundi ;

Revu la Loi n°1/06 du 02 mars 2006 portant Statut du Personnel de la Police Nationale du Burundi ;

Asubiye kwihweza Ibwirizwa inomero 1/06 ryo ku wa 2 Ntwarante 2006 rishinga amategeko agenga Abakozi bo mu Giporisi c'Uburundi ;

Le Conseil des Ministres ayant délibéré ;

Inama Nshikiranganji imaze kubica irya n'ino ;

L'Assemblée Nationale et le Sénat ayant adopté ;

Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka zimaze kuvyemeza ;

**PROMULGUE :**

**ATANGAJE :**

## CHAPITRE I : DES DISPOSITIONS GENERALES

## IKIGABANE CA I : INGINGO NGENDERWAKO

**Article 1 :**
La présente loi régit le personnel d'appui prestant au sein de la Police Nationale du Burundi.

**Ingingo ya 1 :**
Iri bwirizwa rigenga abakozi bafasha mu Giporisi c'Uburundi.

**Article 2 :**
La présente loi détermine :

- les conditions générales de recrutement ;
- les catégories et les grades ;
- la notation et l'avancement ;
- les droits, les obligations et les interdictions ;
- le régime disciplinaire ;
- la position statutaire et la sécurité sociale du personnel d'appui de la Police Nationale du Burundi.

**Ingingo ya 2 :**
Iri bwirizwa riratomora ibisabwa kugira umuntu yinjizwe mu bakozi bafasha mu Giporisi c'Uburundi ; imigwi yabo n'amapete; ingene amanota atangwa n'ingene abakozi baduzwa mu kazi, ivyo bafitiye uburenganzira, ivyo bategerejwe, ivyo babujijwe; amategeko agenga ibijanye n'inyifato mu kazi; uko bafatwa mu bijanye n'ukuba canke ukutaba mu kazi; hamwe n'ibijanye n'ukubategekaniriza kazoza.

## CHAPITRE II : DU RECRUTEMENT ET DE LA DUREE DU CONTRAT DE TRAVAIL

## IKIGABANE CA II : IVYEREKEYE UKWINJIZA MU KAZI ABAKOZI BAFASHA MU GIPORISI C'UBURUNDI N'IKIRINGO AMASEZERANO Y'AKAZI AMARA

### Section 1 : Du recrutement

### Agace ka 1 : Ukwinjiza mu kazi

**Article 3 :**
Les candidats désireux d'obtenir un emploi dans la catégorie du personnel d'appui de la Police Nationale du Burundi doivent remplir les conditions

**Ingingo ya 3 :**
Abipfuza kuronka akazi mu mugwi w'abakozi bafasha mu Giporisi c'Uburundi bategerezwa kuba bakwije ibi bikurikira :

suivantes :

1° être de nationalité burundaise ;

2° avoir 18 ans au moins le jour du recrutement ;

3° n'avoir pas été condamné à une peine de 6 mois de servitude pénale ou à plusieurs peines de servitude dont le total est supérieur ou égal à douze mois ;

4° n'avoir pas été révoqué d'un emploi public ;

5° être reconnu, par un médecin agréé par le gouvernement, apte à exercer l'emploi postulé ;

6° être détenteur d'un diplôme ou certificat requis pour l'emploi postulé ;

7° réussir avec succès un test de recrutement organisé selon la nature de l'emploi à pourvoir ;

8° être en possession d'une attestation de bonne conduite, vie et mœurs et civisme ;

9° être libre de tout engagement contractuel et professionnel vis-à-vis d'un autre employeur.

**Article 4 :**
Une ordonnance ministérielle précise les autres conditions requises en fonction du poste à pourvoir.

**Article 5 :**
Le recrutement du personnel d'appui doit faire objet d'un appel d'offre public.

Le mode de recrutement du personnel d'appui ainsi que les procédures de réclamation seront précisés dans un texte réglementaire du Ministre ayant la police nationale dans ses attributions.

1° kuba afise ubwenegihugu bw'Umurundi ;

2° kuba akwije imyaka 18 n'imiburiburi ku munsi w'ukwinjizwa mu kazi ;

3° kuba atigeze acirwa igihano c'umunyororo ungana n'amezi 6 canke ibihano vyinshi vy'umunyororo biteranijwe birenza amezi cumi n'abiri;

4° kuba atigeze yirukanwa mu kazi ka Reta ;

5° kuba vyemejwe n'umuganga wa Reta ko ashoboye gukora akazi basaba ;

6° kuba afise urupapuro rw'umutsindo canke urupapuro rusabwa mu kazi arondera ;

7° kuba yatoye ikibazo gitunganywa bivanye n'akazi kagira gatangwe ;

8° kuba afise urwandiko rwemeza ko yigenza neza mu buzima kandi afise imico myiza n'umutima w'ugukunda igihugu ;

9° kuba ata yandi masezerano afitaniye n'uwundi mukoresha canke akazi akorera uwundi mukoresha.

**Ingingo ya 4 :**
Itegeko nshikiranganji riratomora ibindi bisabwa bitegerejwe bivanye n'akazi kagira gatangwe.

**Ingingo ya 5 :**
Mu kwinjiza mu kazi abakozi bafasha haragirwa itangazo ry'uguhiganira akazi.

Ingene abakozi bafasha bazokwinjizwa mu kazi n'ingene uwutashimye ingingo azokwunguruza bizotomorwa mw'itegeko ry'Umushikiranganji ajejwe igiporisi c'Uburundi.

Section 2 : De la durée du contrat

Article 6 :
Au terme du processus de recrutement, le candidat retenu signe un contrat à durée déterminée ou indéterminée suivant les termes de référence de l'expertise recherchée. Ce contrat est assorti d'un essai de six mois.

Si ce dernier n'est pas concluant ou s'il commet une faute disciplinaire, le candidat est renvoyé par une décision de l'autorité de nomination selon la catégorie de recrutement.

CHAPITRE III : DES CATEGORIES ET DES GRADES

Section 1 : Des catégories

Article 7 :
Le personnel d'appui de la Police Nationale du Burundi comprend les catégories suivantes :

1° la catégorie de Direction (D) dont les membres sont titulaires d'au moins un diplôme de baccalauréat ou équivalent ;

2° la catégorie de Collaboration (C) dont les membres sont titulaires d'au moins un diplôme ou certificat de l'enseignement post-fondamental ou équivalent ;

3° la catégorie d'Exécution (E) dont les membres ont au moins un certificat de l'école fondamentale ou équivalent.

Section 2 : Des grades

Article 8 :
Par ordre croissant, les grades du personnel d'appui sont répartis de la manière suivante :

1° D9-D8-D7-D6-D5-D4-D3-D2-D1 pour la catégorie de direction ;

Agace ka 2 : Ikiringo amasezerano y'akazi amara

Ingingo ya 6 :
Harangiye ivyerekeye uguhiganira akazi, uwatoye ikibazo arashira umukono ku masezerano afise canke atagira ikiringo amara hafatiwe ku vyisungwa bijanye n'ubuhinga bukenewe ku kazi gatangwa. Ayo masezerano arategekanya ikiringo c'amezi atandatu c'ugusuzuma ko uwo mukozi ashoboye akazi.

Iyo ibikorwa vy'uwo mukozi bitashimishije muri ico kiringo canke agakora ikosa rijanye n'inyifato mu kazi, aca yirukanwa biciye mu ngingo y'uwamugenye bivanye n'umugwi w'abakozi arimwo.

IKIGABANE CA III : IVYEREKEYE IMIGWI Y'ABAKOZI N'AMAPETE Y'AKAZI

Agace ka 1 : Imigwi y'abakozi

Ingingo ya 7 :
Abakozi bafasha mu Giporisi c'Uburundi bari mu migwi ikurikira :

1° Umugwi wo ku rugero rw'Abayobozi (D) urimwo abafise n'imiburiburi urupapuro rw'umutsindo rw'amashure ya kaminuza rwa bakaroreya canke urungana n'urwo ;

2° Umugwi w'abakozi bakurubakuru (C) urimwo abafise n'imiburiburi urupapuro rw'umutsindo canke urupapuro rwemezako yahejeje amashure y'inyuma y'ishure shingiro canke urungana n'urwo ;

3° Umugwi w'abakozi batoyi (E) urimwo abafise n'imiburiburi urupapuro rwemezako yahejeje ishure shingiro canke urupapuro rungana n'urwo.

Agace ka 2 : Amapete ahabwa abakozi

Ingingo ya 8 :
Uhereye ku wufise ipete ry'akazi ritoyi gushika ku wufise ipete rinini, amapete y'abakozi bafasha mu Giporisi c'Uburundi ni aya akurikira :

1° D9-D8-D7-D6-D5-D4-D3-D2-D1 mu mugwi wo ku rugero rw'Abayobozi ;

2° C9-C8-C7-C6-C5-C4-C3-C2-C1 pour la catégorie de collaboration ;

3° E9-E8-E7-E6-E5-E4-E3-E2-E1 pour la catégorie d'exécution.

Les grades D9, C9 et E9 constituent les grades de recrutement.

2° C9-C8-C7- C6-C5-C4-C3-C2- C1 mu mugwi w'abafasha abakozi bakurubakuru ;

3° E9-E8-E7-E6-E5-E4-E3-E2-E1 mu mugwi w'abakozi batoyi.

Amapete ya D9, C9 na E9 ni amapete umukozi ashikirako acinjira mu kazi.

## CHAPITRE IV: DE LA NOTATION ET DE L'AVANCEMENT

### Section 1 : De la notation

**Article 9 :**
Un membre du personnel d'appui ayant neuf mois minimum de prestation, après la période d'essai, fait objet d'une notation annuelle.

L'appréciation de mérite est donnée suivant les mentions ci-après :

1° élite : de 90 à 100% ;

2° très Bon : de 70 à 89% ;

3° bon : de 50 à 69% ;

4° insuffisant : de 30 à 49% ;

5° médiocre : inférieur à 30%.

**Article 10 :**
La procédure de notation et la contexture du bulletin de notation sont déterminées par une ordonnance du Ministre ayant la Police Nationale du Burundi dans ses attributions.

**Article 11 :**
Le bulletin de notation accompagné d'un accusé de réception est communiqué à l'intéressé. Ce dernier le signe dès sa notification.

## IKIGABANE CA IV : IVYEREKEYE UGUTANGA AMANOTA N'UGUTERA IMBERE MU MAPETE Y'AKAZI

### Agace ka 1 : Ingene amanota atangwa mu kazi

**Ingingo ya 9 :**
Umukozi wese afasha amaze n'imiburiburi amezi icenda mu kazi, ikiringo c'ukwimenyereza akazi kirangiye, arahabwa amanota yo ku mwaka ku mwaka.

Amanota yerekeye ingene umukozi yakoze atangwa uku gukurikira :

1° Amanota y'indatwa : amanota ari hagati ya 90 na 100% ;

2° Amanota meza cane : amanota ari hagati ya 70 na 89% ;

3° Amanota meza : amanota ari hagati ya 50 na 69% ;

4° Amanota mabi : amanota ari hagati ya 30 na 49% ;

5° Amanota mabi cane : amanota adashika 30%.

**Ingingo ya 10 :**
Ingene amanota atangwa n'uko ifishi y'amanota yo ku kazi iba imeze bitomorwa n'itegeko ry'Umushikiranganji ajejwe Igiporisi c'Uburundi.

**Ingingo ya 11 :**
Ifishi y'amanota yo ku kazi ihabwa nyeneyo iri kumwe n'icemeza ko yayironse. Uwo mukozi na we aca ashira umukono ku cemeza ko yayironse.